**RCC 10300**

**AMAJAMBO MAKURU MAKURU**

**Gutorana kuri se amuvyara hamwe no kuri se yamureze – indagano zo gusambuza zubahirijwe (ingingo ya 87 y'itegeko n°1/07 ryo ku wa 25.02.2005 rigenga Sentare Ntahinyuzwa) – isambuzwa ry'urubanza (ingingo ya 37 y'itegeko n° 1/07 twavuze aho hejuru) ridashemeye – urubanza rusubijwe itoto.**

**URUBANZA**

- 1 -

RCC 10300

SENTARE NTAHINYUZWA ISHASHE MU GISATA CA GASAMBURAMANZA YACIYE URUBANZA RUKURIKIRA :

UWITWARA : S. Emmanuel Umusozi Gisovu, Komine Kanyosha, Intara ya Bujumbura-Rural.

UWITWARIRWA :N. Marthe Umusozi Gisovu, Komine Kanyosha, Intara ya Bujumbura-Rural.

Twihweje ikete ryo ku wa 03.09.2002, S. Emmanuel yandikiye umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa irimwo Gasamburamanza, ayisaba isambuka ry'urubanza RCA 1026 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bujumbura Rural, kw'igenekerezo ryo ku wa 26.06.2002, narwo rukaba ruvuga ruti:

Sentare ica imanza z'amatati imbona nkubone ;

Ivuye mu mwiherero w'abacamanza ;

ISHINZE IBI:

- Irakiriye iyunguruzwa ry'urubanza nkuko ryagizwe na S. Emmanuel ariko isanze imburano ziwe zidashemeye ;
- Irakomeje urubanza rwa Sentare y'Intango ya Gasarara ;
- Amagarama atangwa na S. Emmanuel, uko ari 10.800 FBu.

Twihweje ko S. Emmanuel yamenyeshejwe urwo rubanza ku wa 08.07.2002 ;

Twihweje ivyireguro N. Marthe yashikirije Sentare ;

Twihweje icegeranyo c'urubanza cagizwe n'umucamanza wa Sentare Ntahinyuzwa ku wa 08.04.2003 ;

Twihweje iciyumviro canditswe cagizwe n'umushikirizamanza mukuru italiki 28.07.2003 ;

Twihweje ko urubanza rwashizwe ku wa 23.04.2004 ;

Twihweje ko Sentare yahamagaye urubanza muri iyo ntahe y'icese ababuranyi bakitaba urubanza rugasubizwa ku wa 29.07.2004 kugira ngo barindire ababafasha kuburana;

- 2 -

Twihweje ko Sentare yongeye igahamagara urubanza muri iyo ntahe y'icese yanyuma, ababuranyi hamwe n'abashingwamanza bababuranira bakitaba bompi bakongera bakumvirizwa ;

Sentare imaze gutohoza neza urubanza ikanyurwa yarahavuye irushira mu mwiherero w'abacamanza iraheza ishinga urukurikira :

Kubera ko S. Emmanuel asambuza urubanza RCA 1026 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bujumbura Rural ku wa 26.06.2002, ko yarumenyeshejwe italiki 08.07.2002 agaca yandika imburano zo kurusambuza zashitse mw'iyandikiro ry'imanza kw'igenekerezo ryo ku wa 03.09.2002, akongera agashinga uyo munsi nyene ;

Kubera ko S. Emmanuel akwiye kwakirwa kuko yituye Sentare mu ndagano zategekanijwe n'amategeko ;

Kubera ko ababuranyi bapfa itongo ; ko S. Emmanuel yunguruje urubanza avuga ko Sentare y'Intango ya Gasarara yamurenganije mw'itongo ry'umuheto yaburanye kandi afitiye ama kopi;

Kubera ko S. Emmanuel yisiguye avuga ko itongo aburana ari irya NT. ; ko uyu yabiriye nyina (wa S.) uyo S. nyene akiri mutoya, aca aramwandikisha muri Komine, ko imbere yuko yabira nyina ; NT. yari asanzwe afise abana babiri aribo ND. na N. Marthe ;

Kubera ko S. yasiguriye Sentare ko NT. yasanze nyina w'uyo asambuza mw'itongo rya se wiwe (se wa S.) agaca ashikira amatungo ya se wa S., agaheza akemeza ko abaye se wa S. ;

Ko uwusambuza abandanya asigura ko itongo NT. yasanzemwo nyina NS. ari iryo ku Ruhona, ko iryo baciye baryimukamwo, bakagenda kuryo ku Gihinga ngo akaba ariryo yakuriyemwo ; ko itongo ryo hakurya ya Kizingwe NT. yaciye ariha abagererwa; ko iryo ku Ruhona bafatikanije na mushikiwe mukuriburana hanyuma bakaritsindira; ko mugabo mushikiwe ND. yaciye arigurisha; hanyuma igakomeza urwaciwe na Sentare y'Intango ya Gasarara, narwo rukaba rwavuga ko :

- S. Emmanuel atsindiye itongo rya se M. riri hakurya ya Kizingwe nkuko ryerekanywe,
- S. nawe akava mu rya NT. ;
- ko Sentare izoza kumushikiriza iryo tongo havuyemwo abaguze, baguze na S. ;

Kubera ko mugusambuza urubanza S. Emmanuel ashimikira ku mvo zikurikira :

- Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bujumbura Rural isohora S. mw'itongo yatoranye kuri se NT. yamureze kuva afise imyaka ibiri gushika aho arimaramwo imyaka 56 aririma ata nkomanzi;



- Ngo ivyo biba ariko NT. yaremeje ko S. ari umuhungu umwe, akaba yarabigaragaje mu kumwandikisha mu gitabo ciwe c'ikori, hakaba hari n'ibivyemeza bihagije ;
- Ngo Sentare y'Intango ya Bujumbura-Rural ntiyigeze yumviriza imburano ziwe hanyuma ivyo isura yiwe B. Guido yasuye ntivyanditswe, ivyo bikerekana ko atumvirijwe canke Sentare yahinduye ivyo yavuze ;

Kubera ko mu kwiregura N. asaba Sentare ko yomukiza S. agenzwa n'uburyarya bw'ukwambura abana basigwa n'umugabo wa nyina wiwe, amatongo se wabo NT. yabasigiye ku mutumba wa Gihinga, kandi nawe afise se wiwe yamusigiye itongo ryo ku Kizingwe ;

Kubera ko uwusamburizwa yongera akavuga ko Sentare y'Intango hamwe n'iyungururizo zemeje icese ko S. atorana kuri se M. itongo yamusigiye i Kizingwe ;

Kubera ko N. aheraheza avuga ko ata kuntu S. yorondera gutorana kuri se amuvyara M., be no kuri NT. yamureze, yaje iwe akurikira Nyina NR. Adèle yacuwe na NT. ;

Kubera ko kubwa Sentare Gasamburamanza ibirego bibiri vya mbere uwusambuza yatanze bidashemeye kuko bigaruka kw'ido n'ido ry'urubanza, ibirego ben'ivyo bikaba ari impfagusa kuko bidasuzumwa n'iyi Sentare ;

Kubera ko n'ikirego ca kabiri uwusambuza yatanze kivuga ko ivyo isura B. yasuye bitanditswe kidatomoye kuko atadomako urutoke ivyo yavuze hanyuma ntivyandikwe ; ko icibonekeza muri runo rubanza ari uko iyo sura B. Guido umuhungu wa SG. na BA. yavutse muri 1960 yarengutse agasura avuga ati itongo ndimwo ni rya data yahawe na NT. ;

Kubera ko noneho ikintu gihambaye rwose muri runo rubanza ari uko N. Marthe avuga ko itongo ryo ku Gihinga yariburanye na S. Emmanuel mu rubanza RC 294/95 rwa Sentare y'Intango ya Gasarara akamutsinda, uwusambuza ntiyunguruze gushika aho urubanza rukurikizwa ku wa 02.10.1996 ;

Kubera ko Sentare yasuzumye ikopi y'urubanza RC 294/95 igasanga ababuranyi ari bamwe n'ukuvuga N. Marthe na S. Emmanuel, ko n'ikiburanwa ari kimwe n'ukuvuga itongo rya NT. ; ko urwo rubanza rwacitse rukaba ntabanduka rukongera rugakurikizwa ;

Kubera ko bigaragara ko uwusambuza ariko arasubiza urubanza itoto, ivyo navyo bikaba bitemewe n'amategeko;

Kubera ko ibirego uwusambuza yatanze bidashemeye none atacotuma urubanza RCA 10216 rusambuka ;



KUBERA IZO MVO:

Sentare Ntahinyuzwa ishashe mu gisata ca Gasamburamanza ;

Yihweje ibwirizwa n° 1/010 ryo ku wa 18.03.2005 ryerekeye ibwirizwa nshingiro rya Republika y'Uburundi;

Yihweje ibwirizwa n° 1/007 ryo ku wa 25.02.2005 ryerekeye iringanizwa rya Sentare Ntahinyuzwa ;

Yihweje ibwirizwa n° 1/008 ryo ku wa 17.03.2005 ryerekeye iringanizwa ry'ama Sentare n'ububasha bwazo;

Imaze kuja mu mwiherero w'abacamanza nk'uko amategeko abivuga;

ISHINZE KO:

- yakiriye isambuzwa ry'urubanza ariko isanze ridashemeye ;
- Irahakanye gusambura urubanza RCA 1026 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bujumbura-Rural kw'igenekerezo ryo ku wa 26.06.2002 ;
- Ivuze ko iyi ngingo yandikwa mu bitabu vy'imanza vy'iyo Sentare nyene hambavu y'urubanza rudasambuwe ;

- Amagarama atangwa na S. Emmanuel nayo ni 14.600 FBu ;

Uko niko ruciwe kandi rusomwe i Bujumbura mu ntahe y'icese yo ku wa 31.08.2005, hashashe umukuru w'intahe, abacamanza bafashijwe n'umushikirizamanza mukuru hamwe n'umwanditsi w'imanza.

**KWIHWEZA URUBANZA**

Muri runo rubanza, S. umwana wa M. yazanywe kwa NT. na nyina wiwe yari aje kuharongorwa amufise mu mugongo, yifuza gutorana kwa se yamuvyaye hamwe no kwa se yamureze ariwe NT. kuko uyu wanyuma atabahungu yavyaye.

NT. amaze gucura nyina wa S., yaciye yandikisha S. nkuko ari umwana wiwe ndetse aranamurihira n'ikori. NT. amaze gupfa, N. Marthe, umwana wa NT., yaburanye n'uwo S. bapfa itongo rya NT. Urubanza RC 294/95, rwashinze ko S. ava mw'itongo rya NT. ariko agashikirizwa itongo rya M. ryose iyo riva rikagera ukuyemwo aho wenyene yigurishirije ndetse rukaba rwarakurikijwe italiki 02.10.1996.

Uru rubanza rero ntiyigeze arwunguruza, ariko yashimwe kuruvyura gushasha mukwongera gushingisha urundi rubanza ariko araburana yongera agwunguruza kandi hariho urwo bisa n'ababuranyi ari babandi nyene.

Ingingo ya 223 y'igitabo c'amategeko agenga ingo n'imiryango riratomora neza ko umuntu adashobora kugira ba se babiri. Mu gihe, M. azwi neza ko ariwe se wa S., S. ntashobora kwitwaza ko NT. yamureze kugirango atorane ivyiwe naho avuga ko atawundi muhungu yavutse.

S. yari gushobora kuronka uburenganzira bwo gutorana ibintu vya NT. Mugihe conyene vyari kugargara ko atawundi se wiwe ariho azwi, kuko amategeko avuga ko atamuntu yemerewe gutabwa mw'ibarabara. Itongo rya NT. ritoranwa n'abasigwa ba NT. baba abakobwa canke abahungu.

Muri runo rubanza, Sentare Ntahinyuzwa yarihenze ku numéro z'urubanza rusambuzwa. S. Emmanuel yasavye Sentare ko yomusamburira urubanza RCA 1026 rwaciwe na Sentare Nkuru ya Bujumbura-rural, ariko iyo Sentare mu mvo zayo zo kudasambura urwo rubanza yavuze ko atacotuma urubanza RCA 10216 rusambuka. Aha umucamanza yandika runo rubanza yokwitonda mu kudoma urutoke ku numero z'urubanza rusambuzwa.

Mu mategeko kandi yihwezwa na Sentare ntiyarinze gushiramwo igitabo c'amategeko agenga ingo n'imiryango kandi arico kintu ababuranyi bari bahagazeko mu kuburana amatungo y'umuvyeyi wabo.

Mu vyerekeye amategeko, sentare yarakurikije amategeko ariko umucamanza yandika yo kwitonda kugirango ntihagire amakosa ajamwo kuko mwene ayo makosha ashobora gukosogwa n'urundi rubanza.